**Bible lessons. Lesson 47 ON THE BANK OF THE DEEP RED SEA**
**Exodus: 13:17-22**
**Memory verse: "The Lord is my helper. I will not fear. What can a man do to me?" Hebrews 13:6**

## ABISIRAYELI BAJABUKA IKIYAGA GITUKURA

ICIRWA CA 70

**Kuvayo 13:17-22**

Ijambo ryo gufata k'umutwe : ***« Ni co gituma tuvuga dushize ubwoba tuti : Uhoraho ni umutabazi wanje, sinzotinya, None umuntu yoshobora kungira iki ? »*** **Abaheb. 13:6**

**I. Intangamarara**
Abisirayeli barahagutse barava muri Egiputa nyuma y'imyaka amajana ane na mirongo ine. Nyuma yaho habaye ugupfa kw'impfura zose z'abantu n'ibitungano, Farawo abarekura.

Barahagurutse baragenda ariko Farawo abonye ko bagiye aca aragarwa ; arabakurikira ngo abagarure. Aba nabo bisanze hagati y'ingabo za Farawo , imisozi miremire n'ikiyaga gitukura. Vyavurwa ngo bari mu kanyati. Imana yonyene niyo yari kubatabara.

**II. Baca mu nzira y'inzinguzigu bikoreye amagufa ya Yosefu.**
Imana ubwayo ihitamwo kubacisha mu nzira yinziguzigu kuko yari izi ingorane bohura nazo igihe boca mu nzira yo hafi. Igihe Imana ariyo ikontorora ubuzima bwawe, ivyo kwihutagiza ntivyitayeho. Yitaho ico yavuganye nawe ngo ntikibure gushika kandi neza.

Umur wa 19 : « kandi Mose ajana n'amagufa ya Yosefu kuko Yosefu yari yararahije bene Isirayeli bikomeye ati ; Imana ntizobura kubagendera, namwe muzokure amagufa yanje ino, muyadugane. » **Itang. 50:25**. Aya magufa yari amaze imyaka irenga amajana atatu. Vyarumvikana ko iyo batayatwara, abanyagiputa bari kuyakorerako akajagari bakayatera amabuye canke bayasukako ibiziba kuko yari Umwisirayeri yubahwa kandi ariwe yazanye abo biwabo muri ico gihugu bakaba bavuyeyo babasize mugahinda k'ababo bapfuye.

Ikindi ni uko Abisirayeri bubaha ijambo ryose ryavuzwe n'umukuru mu muryago iyo aba asanzwe yubaha Imana ya Aburahamu. Na Yosefu yaraha agaciro igihugu c'isezerano.

Barongorwa n'inkingi y 'igicu ku murango ; ikaba iy'umuriro mw'ijoro. Ighe cose Imana ariyo itanguje igikorwa, imenya ingene ikija imbere gushika ishitse ku ntumbero.

**III. Uburakari bwa Farawo n'ingabo ziwe.**

Soma **Kuv. 14:5-7** Farawo yibutse ko arekuye abakozi barenga imiliyoni zibiri bakora badahembwa ; abona yakoze ivy'ubujuju. Aragagwa arabakurikira n'ingabo ziwe ngo kumbure yobagarura. Atunganya abasoda bazi kurwana amajana atandatu bagendesha imikogote y'intambara. Abisirayeri ntakirwanisho na kimwa bari bafise. Boba barabwiye Mose bati : Ushobora kuba utumvise neza inzira yakubwiye ngo ducemwo, waduhubishije. Ariko aho bikomeye niho Imana imenyekanira ko ari Imana ikomeye.

**IV. Mose aremesha abantu/ umuyobozi mwiza**

Soma **Kuv. 14:12-16**
Abanyabwoba bananiwe no gusenga, bari batanguye gusesereza Mose bibagiye ivyo Imana yabakoreye bakiri muri Egiputa. Nawe ati : « Ntaco mutinya, mwihagararire gusa, murabe agakiza Uhoraho agira abazanire…. » Mose Umuyobozi mwiza, yizera ico yavuganye n'Imana ; aremesha abantu abasaba gukura induru yohava inatera umugumuko ; abereka Imana yaremye vyose ko ariyo igira ibikore. Kurundi ruhande, umuyobozi mubi aca intege abantu akabumvisha ko ibintu vyose bimeze nabi. Bene aba, ntibaha agaciro ivyiza biba vyarabaye ; bakomeza amaso kuri kimwe kitagenze neza.

**V. Bajabuka ikiyaga gitukura/ igitangaza c'Imana**.

Soma **Kuv. 14:21-28**
Harageze ko Imana ikora ikindi gitangaza kizokwandukwa muri kahise k'Abisirayeli. Kujabuka ikiyaga n'amaguru.
Aha inkomezi z'Imana muri ibi bitangaza vyerekanye n'ibintu bitatu :

1 **Inkoni ya Mose :** Imana yitwa Imana, ntawumenya imigendere yayo n'ingene ikora ibintu. Iyi nkoni tuyibona nko kwizera no gusenga vy'umukristo.

2. **Inkingi y'igicu cabagendera imbere** kivayo kija hagati y'Abisirayeli n'ingabo za Farawo. **Umur wa 19**

Biboneka Imana yashaka ko Abisirayeli batabona ingene Abanyagiputa bakobereje ngo bahave batinye no kubandanya bataragera  kukiyaga. Imana irashobora kuguhisha ivyago kugira ntugire ubwoba. Ikindi, ntiyari kwemera ko Abanyagiputa bababona batarashika ku kiyaga. Nico catumye atuma amakurudumu y'imikogote yabo afatwa, akanka kugenda. K**uv. 14:25**
**3. Umuyaga w'igihuhuta ukamywa ikiyaga :** Imana isaba Mose kuramburira ya nkoni yiwe hejuru kukiyaga ; amazi aca asubira inyuma ; hasi harumuka maze barajabuka n'ivyabo vyose. Abasoda ba Farawo babakurikiye, Imana ibacuranguriza muri ico kiyaga.

Ikiboneka ni uko Imana irakoresha ivyo yaremye ifise intumbero yo gukiza abo yagomvye ***Ni co gituma tuvuga dushize ubwoba tuti : Uhoraho ni umutabazi wanje, sinzotinya, None umuntu yoshobora kungira iki ? »*** **Abaheb. 13:6**

***VI.* Gushira mu ngiro.**
Uhoraho niwe Mana y'ububasha koko. Hari ivyo akora kugira akomeze ukwizera kw'abamwubaha. N'ingabo za Farawo zaravuganye ziti : ***« Ehe duhunge tureke Abisirayeli ; kuko Uhoraho abatabara ariwe aturwanya.*** » K**uv. 14:25.** Ibi vyaratumye isi yose itinya Uhoraho.  Kuba Abisirayeli baciye mu nzira igoye ; biratwereka ko natwe mu rugendo rwo kuja mw'Ijuru, haraho dushikirwa n'ibibazo. Imana ntiyaduhamagariye amahoro muri iyi si gusa ahubwo ; yaduhamagariye kwezwa azotujane mu mahoro yiwe mw'ijuru. Ni tumenye gushima mu bidushitseko vyose. Tuyizere kuko uko yahoze niko akiri n'ubu. Ibiboneka nk'ibiyaga imbere yacu, azoduha kubijabuka .dushire ubwoba twizere ko Uhoraho ariwe mutabazi wacu ko ataco umuntu yoshobora kukugira.